AMBASSADE DE LA REPUBLIQUE
DU BURUNDI

AFRIQUE DU SUD

Pretoria, 24./10/2023

Ref. No 204.02.13/...491.../MAECD/2023

**ITANGAZO KU BARUNDI BOSE BABA MURI AFRIKA Y'EPFO**

Ubuserukizi bw'Uburundi muri Afrika y'Epfo buramenyesheje Abarundi bose ko igitigiiri c'Abarundi bafungirwa mu mabohero ya Afrika y'Epfo gitera kiduga. Muri abo bafungwa hari abagirizwa kuba muri iki gihugu batabifitiye uburenganzira ndetse bakababafatira ku bibuga vy'indege bagomba kwitahira mu gihugu c'amavukiro. Hari n'abafungwa bagirizwa kurenga ikiringo ntabanduka co kugaruka muri Afrika y'Epfo. Hari n'abandi bafunzwe bagirizwa izindi nyifato mbi zijanye n'ubusuma, ukwagirizwa gufata kunguvu abigeme n'ibindi. Ikindi naco ni Abarundi bapfira mu ma sanganya yo mw'ibarabara.

Ubuserukizi buteye akamo Abarundi bose kwirinda kurwa muri ivyo vyago no kumenya neza amategeko y'inzira kubatwara imiduga n'amapikipiki. Ababijejwe twayaze baratubwiye ko ata kigongwe kuko ngo barengewe n'abantu benshi baba muri iki gihugu ata vyangombwa bafise.

Mu kugira ngo Ubuserukizi bubandanye bubahimiriza Abarundi no kugira bushobore gufasha bidatwaye umwanya ababitura muri benivyo bihe, turasavye Abaserukira abandi baturungikire urutonde rw'Abarundi bazi, Abarundi bose nabo bashobore kwiyandikisha ku ndongozi. Urutonde rwoheza rukarungikwa ku Buserukizi bagacisha aha hakurikira: ambabusa2021@yahoo.com.

**MURAKOZE**

EMBASSY OF THE REPUBLIC OF BURUNDI SOUTH AFRICA PRETORIA

**Bigiriwe Pretoria, ku wa 24/10/2023**

**Alexis BUKURU, UMUSERUKIZI**

318 Albert Street, Waterkloof 0181-Pretoria P.O.BOX 27763 Sunnyside 0132 Tel: +27 12 344881/3
Email: ambabusa2021@yahoo.com Website: www.https://burundiembassy.co.za